

**Do you need help resolving a concern?**
**Information about support persons and advocates**

# Woba ukeneye gufashwa gutorera umuti ingorane kanaka?

## Ibimenyeshejwe ku vyerekeye abogushigikira n'abavugizi

Runo rwandiko ndongozi rufasha imiryango, abavyeyi, abafasha, abashigikira n'abavugira abandi n'ingene bobafasha mw'ihanamakuru canke gutorera umuti ingorane zo kw'ishure, canke gushīkiriza ibirego.

Abantu bamwebamwe barafise ingorane kurusha abandi mw'ihanamakuru canke mu gutorera umuti ingorane zo kw'ishure. Vyogufasha ubajije uwundi muntu wogufasha.

Uwumaze imyaka 18 n'uwuyirenza wese ashobora kuba uwushigikira umuvyeyi, uwufasha, umuvyeyi canke umwe mu bagize umuryango. Abavyeyi, abanyeshure n'abagize umuryango bokwitura abahinga mu vyerekeye ubushingwamanza bagafashwa.

Kino gisata citayeho gutorera umuti ingorane zihanze amashure muri NSW aho bishoboka hose. Ariko rero, icitegererezo ngurukanabumenyi c'ibirego cokoreshwa mu gihe ingorane izoshikanwa ku nzego zo hejuru.

Asangwa ingorane idashobora gutorerwa umuti hafi, umushigikizi canke umushingwamanza yofasha mu kworohereza ikurikiranwa ry'ibirego. Ivyo vyerekeye ugufasha gushimitse n'ugushigikira mu gutahura:

- ingene ihanamakuru ryiza hagati y'umuntu n'ishure rigenzwa
- intambuko zikurikizwa mu gutorera umuti ingorane canke ikirego kanaka
- igihe kibereye gisabwa mu gutorera umuti ingorane canke ikirego
- ibizokurikira n'igihe bizobera
- uwuzobazwa mu gihe hokwaduka ibibazo canke ingorane kanaka mu rukurikirane rw'ibikenewe
- icokorwa mu gihe uwipfuza gutunganirizwa ingorane canke ikirego kanaka atanezerewe n'uburyo biriko biratorerwa umuti canke n'inyishu ibonetse.

Umushigikizi canke uwukuvugira/ umuserukizi ntiyokoreshwa nk'umusobanurandimi. Mu gihe umusobanurandimi akenewe mu makoraniro canke mu bihe vy'ukubazwa, ishure ryotunganya urwego rubereye. Bivuye ku mwanya, abahinga mw'isobanurandimi bokoreshwa biciye ku rubuga ngurukanabumenyi canke kuri Telefone. Baza ishure hakiri kare.

Imbere yuko umushigikizi canke uwukuvugira ashirwamwo, vyofasha habayeho kwiyumvira uruhara rwabo-bazoshigikira bahe uwo muntu imfashanyo gusa, canke bazomufasha no gutorera umuti ingorane yiwe?

### Uruhara rw'Umushígikizi

Umushígikizi ni umuntu w'imyaka 18 canke irenga afasha mu gutorera umuti ikirego biciye mu guha uwitwaye ugushigikirwa kuboneka canke mu buryo bw'ibigumbagumba. Umushigikizi ashobora:

- kwitaba amanama
- kuvuga mu Manama mu gihe afise amakuru y'ukuri mu vyerekeye ingorane iriko irîgwa
- gutanga impanuro ku vyerekeye uburenganzira n'ababurekuriwe
- gutomora urukurikirane canke uko ibintu bigenzwa
- gusaba akaruhuko mw'ikoraniro kubwo gushigikira uwo muntu ngo amuhanure canke amufashe
- kuvugana n'umuntu avyuye ikirego mw'ikoraniro, mu gihe uwo muntu abisavye
- Kwandika ivyegeranyo
- gufasha ugushitsa ivyumvikanyweko.

Umushigikizi ashobora kubaza ibibazo kandi agatanga amakuru. Nk'akarorero, mu gihe aba yari afise uruhara canke afíse amakuru kanaka mu vyabaye, canke mu gihe yoba afise vyo biyumvira ku vyerekeye ibikurikira.

Asangwa umuserukizi imbere y'amategeko ariko akora nk'umushigikizi, ni ngirakamaro ko yemerera uwitwaye kwivugira.

Umushigikizi ariho ngo akore nk'icabona canke nk'umuhanuzi.

Ntibibereye ko umushigikizi atanga amakuru uwitwara yamubwiye – uruhara rw'umushigikizi ni ugufasha uwitwaye ngo ashikirize neza amakuru yiwe ubwiwe.

## Uruhara rw'Umuvugizi/ umuserukizi

Umuserukizi yigenga ni uwumaze imyaka 18 n'iyirenga afise ububasha bwo kuvugira uwitwara, n'ukumushigikira mw'itorerwa umuti ry'ingorane ziwe. Uwo muntu akwiye kuba umuhinga mu mwuga w'ubushingwamanza.

Kenshi cane abaserukizi bakenerwa mu gihe uwitwaye adafise ubushobozi bw'ukwivugira n'uguhangana n'ingorane yiwe ubwiwe. Ivyiyongera ku mfashanyo isa n'iyo umushigikizi, ni uko umuserukizi ashoboye n'ibi bikurikira:

- gutanga intererano mu biganiro vyerekeye ikirego, hamwe
- n'ukwemeza igikozwe canke ikidakozwe.

## Ugukorana n'Amashure - Impanuro zimwezimwe

Amashure agomba gutorera umuti ingorane vuba na vuba kandi ku nzego zo hasi. Duhimirije abavyeyi, abafasha, abagize umuryango, abashigikizi n'abaserukizi gukorera hamwe n'uwuriko arakurikirana ingorane hamwe n'abaserukira ishure. Ivyitegererezo vyacu vyerekeye ugutorera umuti ingorane n'ibirego vyokwisungwa mu ntango.

- Vyofasha gushimikira ku kuri kujanye n'ingorane canke ikirego hamwe n'inkurikizi ku banyeshure.
- Tanga amakuru n'urupfasoni kandi utekanye.
- N'aho uwumaze imyaka 18 n'uwuyirenza wese ashoboye gushigikira canke kuvugira uwitwara, ishure rirashobora gufata ingingo zo kudakorana n'uwatanzwe mu gihe babifitiye imvo zumvikana. Nk'akarorero, bimenyekanye vy'ukuri ko uwo muntu yobangamira ubuzima n'umutekano vy'abandi, canke mu gihe ukwiyitirira umwana avugirwa kwiwe kwabujijwe n'amategeko.
- Muri rusangi, umuntu umwe ni we azogenwa ngo akurikirane ivyerekeye uwufise ingorane canke uwitwaye. Mu Mashure, ashobora kuba umuyobozi canke uwundi mu bakozi b'ishure.
- Ishure rishobora gufata ingingo yo guserukirwa n'uwundi muntu mu makoraniro ngo ashigikire umukozi waryo, kugira ngo nk'umuhinga atange intererano mu biganiro, mu ngingo zifatwa, kandi ngo yandike ivyegeranyo.
- Kiretse vyumvikanyweko ukundi, ido n'ido ry'ikirego n'inyishu gitangiwe bikwiye kuguma ari ibanga.

Hari ibihe umuntu yagenywe ngo ashigikire umuntu canke ngo abe umuserukizi ataba ari we abereye kugira uruhara mugutorera umuti ibirego. Nk'akarorero:

- Mu gihe umushigikizi canke umuserukizi afise uruhara mu vyabaye, kandi atoshobora guharanira inyungu z'uwatuye ingorane canke uwitwaye.
- Mu gihe umufasha canke umwe mu bagize umuryango afashwe nk'umushigikizi canke umuserukizi, vyokwibukwa ko inkuru Atari yaramenyeshejwe zoca zivugirwa ku mugaragaro mw'ikoraniro.

Amakoraniro canke imyanya y'uguhanahana ivyiyumviro bishobora kurangizwa mu gihe hagize uwerekana inyifato itabereye canke itemewe. Inyifato zitemerwa zirimwo, ariko ntizigarukira, kuri izi zikurikira:

- imvugo ibabaza canke ndenzarugero igizwe n'ibishegu n'imvugo z'ubusutwa, imvugo z'amacakubiri n'izo gukumira abandi
- ingiro z'agahahazo n'iterabwoba nk'ibimenyetso vy'agahahazo n'uguhatsa umuntu.
- gutumbereza ikiganiro mu buryo bunyuranye n'intumbero
- ihanamakuru ritabereye kandi ritesha umwanya
- Ugufata amajwi inama canke ihamagarwa ryo ku mvugirakure bidahurijweko n'abahurikiye mw'ikoraniro canke mw'ihanamakuru ku mvugirakure bose.

## Ukeneye Ayandi Makuru

Asangwa ukeneye ayandi makuru, soma Ivyitegararazo vy'Impanuro zacu hamwe n'icitegererezo cacu kigufi mu yerekeye ugushingisha ibirego mu mashure yacu.

## Telefone yerekeye Abasobanuzi

Igore uvugane n'Ishure asangwa ukeneye ayandi makuru. Asangwa ukeneye imfashanyo y'umusobanuzi mu kuvugana n'ishure, igore uhamagare 131 450, uvuge ururimi ukeneye maze usabe uwo muhinga aguhuze n'Ishure. Azokuronsa umusobanuzi ku murongo ngo agufashe mw'ihanamakuru. Ntuzorihishwa.